# Kibondo! Mu vy'ukuri ngira ndakwigishe amajambo ngirakamaro: enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo, na Yo Izokuzigama Ikubungabunge; zigama Imana Allah uzoyisanga imbere yawe mu biguhanze, niwagira ico usavye, urasaba Imana Allah, niwashaka gusaba imfashanyo urayisaba Imana Allah

Mu vyakiriwe na Abu Al'Abbaasi, Abdullahi mwene Abbasi (Imana Allah Ibishimire bompi) yavuze ati: "Umusi umwe nari mpetswe n'Intumwa y'Imana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku gitwazi iraheza imbwira iti: "Kibondo! Mu vy'ukuri ngira ndakwigishe amajambo ngirakamaro: enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo, na Yo Izokuzigama Ikubungabunge; zigama Imana Allah uzoyisanga imbere yawe mu biguhanze, niwagira ico usavye, urasaba Imana Allah, niwashaka gusaba imfashanyo urayisaba Imana Allah, menya kandi ko abantu bose mu gihe bohuriza ku ngingo yuko hari ico bakumarira, ata na kimwe boshobora kukumarira, kiretse kirya Imana Allah Yamaze kukwandikira ko ukironka; no mu gihe bohuriza ku ngingo yuko bakugeramira, ata na kimwe boshobora kukugeramirako, kiretse kirya Imana Allah Yamaze kukwandikira ko kigushikira; burya rero ikaramu yandika ivyagezwe kuri umwumwe wese, yaramaze kwandika, kandi n'impapuro vyanditseko zaramaze kwumuka"". Mu bundi bwakirizi mu vyashikirijwe na Al-Tirmidhiy havuga hati: "Enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo, uzoyisanga imbere yawe maze Igukingire. Menya (ibuka) Imana Allah mu gihe c'amahirwe worohewe, na Yo Izokumenya mu gihe c'amagorwa uremerewe. Menya kandi ko ikiguhushije kiba kitari kugushikira, n'uko ikigushikiye kiba kitari kuguhusha, menya n'uko intsinzi yama ikurikira mu nyuma y'ukwihangana, n'uko agahengwe kama gakurikira mu nyuma y'intureka, n'uko ukworoherwa kwama gukurikira mu nyuma y'ibikugoye".
[صحيح] [رواه الترمذي وغيره]

Mwene Abbasi (Imana Allah Imwishimire) aratwiganira ko igihe yari akiri muto, yigeze kuba ahetswe n'Umuvugishwamana (nyakugira amahoro n'impuhwe z'Imana Allah) ku gitwazi, aca amubwira ati: Mu vy'ukuri ngira ndakwigishe ibintu n'amajambo ngirakamaro, niwabigendera Imana Allah Izogira ico Ikumariye: Enda zigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo y'ibitegetswe gukorwa n'ay'ibibujijwe gukorwa, ku buryo Imana Allah Igusanga mu bikorwa nyumviramana na nyegerezamana, ntizogusange na rimwe mu bicumuro no mu

vyaha; niwaramuka ukoze ivyo, impembo yawe ku Mana Allah, ni uko na Yo Izokuzigama Ikubungabunga mu kugukingira ibikugeramiye mu vy'isi no mu vyo mu buzima bw'inyuma yo gupfa, Iheze Ikurwaneko mu bihambaye aho hose uzoba uroye. Niwagira ico ushatse gusaba, ntugasabe kiretse Imana Allah Yo Yonyene, kuko ari Yo Yakira ibisabo vy'abasavyi. Niwashaka gusaba imfashanyo, ntugasabe kiretse Imana Allah. Uheze kandi wame ufise umwizero ko ata kintu na kimwe ngirakamaro woshikako, n'aho abantu bo kw'isi bose bogihurizako ngo bakigufashe, kiretse mu gihe woba waracandikiwe n'Imana Allah, n'uko ata kintu cogushikira ngo kikugirire nabi, n'aho abantu bo kw'isi bose bogihurizako ngo bakugirire nabi, kiretse ko woshikirwa na kirya Imana Allah Yagenye ko kigushikira. Kandi wame uzi neza ko ivyo biri ukwo; kuko Imana Allah Yamaze kuvyandika mu vyagezwe kuri wewe, ko vyose bizogushikira bizokwisunga indinganizo n'intumbero y'Imana Allah, hamwe rero n'ubumenyi bwayo bwahetuye vyose imbere yuko bibaho, nta gihindura rero ivyamaze kwandikwa n'Imana Allah. Umuntu rero, arakwiye kumenya ko ukuzigama Imana Allah mu kubungabunga amabwirizwa yayo y'ibitegetswe gukorwa n'ay'ibibujijwe gukorwa, Imana Allah Iheza Ikama Iri imbere yiwe mu kumenya ivyomugeramira maze Ikamutabara Ikanamushigikira; akamenya n'uko umuntu iyo yumviye Imana Allah mu gihe yorohewe, Imana Allah na Yo Iheza Ikamuba hafi mu kumworohereza uburyo bumukura mu bimugoye iyo bimushikiye. Burya umuntu wese yoshima ivyagezwe n'Imana Allah kuri we: vyaba inabi canke ineza. Iyo rero habaye ibigoye n'ibigeragezo ku muntu, araheza akihangana; kuko mu kwihangana ni ho harimwo urufunguruzo rumwugururira imiryango yo gutezurirwa; akamenya n'uko iyo habaye intureka zikomeye kuri we, zikurikirwa n'agahengwe kazimukuramwo, n'uko iyo habaye ikimuremera haheza hagakurikira ukworoherezwa n'Imana Allah.

https://sunnah.global/hadeeth/rn/show/66522

النجاة الخيرية
ALNAJAT CHARITY
لجنة الدعوة الإلكترونية
EDC E-Da'wah Committee